REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA SECURITE PUBLIQUE ET DE LA GESTION DES CATASTROPHES

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

UBUSHIKIRANGANJI BUJEJWE UMUTEKANO MU GIHUGU, UGUKINGA N'UGUTABARA MU GIHE C'IBIZA N'ISIBE

# ORDONNANCE MINISTERIELLE N° 215/1536 DU 12/11/2018 PORTANT MODALITES DE RETENTION, DE SUSPENSION ET DE RETRAIT DU PERMIS DE CONDUIRE.

# ITEGEKO NSHIKIRANGANJI INOMERO 215 RYO KU WA 12/11/2018 RISHINGA IBIKURIKIZWA MU GUFATA, UGUHAGARIKA N'UKWAKA URUHUSHA RWO KUGENDESHA UMUDUGA

LE MINISTRE DE LA SECURITE PUBLIQUE ET DE LA GESTION DES CATASTROPHES,

UMUSHIKIRANGANJI AJEJWE UMUTEKANO, UGUKINGA N'UGUTABARA MU GIHE C'IBIZA N'ISIBE,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi;

Vu la loi organique n°1/03 du 20 février 2017 portant Missions, organisation, composition et fonctionnement de la Police Nationale ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga Imirimo y'Urwego rw'abajejwe umutekano, ingene rutunganijwe, abarugize n'ingene rukora;

Vu la loi n° 1/ 08 du 17 mars 2005 portant Code de l'organisation et de la compétence judiciaires ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ryerekeye Igitabu c'amategeko aringaniza inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo ;

Vu la loi n°1/04 du 17 février 2009 portant sur les Transports intérieurs routiers ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 17 Ruhuhuma 2009 ryerekeye Ugutwara abantu n'ibintu mu mabarabara yo mu gihugu ;

Vu la loi n° 1/27 du 29 décembre 2017 révision du Code pénal ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ;

Vu la loi n°1/02 du 07 janvier 2014 portant Code des assurances du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 07 Nzero 2014 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ivyerekeye uguteganiriza impanuka mu Burundi ;

Vu la loi n°1/26 du 23 novembre 2012 portant Code de la circulation routière ;

Vu la loi n° 1/09 du 11 mai 2018 portant modification du Code de procédure pénale ;

Vu le décret n°100/037 du 19 avril 2018 portant Révision du décret n°100/29 du 18 septembre 2015 portant Révision du décret n°100/125 du 19 avril 2012 portant Structure, fonctionnement et missions du Gouvernement de la République du Burundi ;

Vu l'ordonnance ministérielle n°215/1256 du 29 septembre 2015 portant Instauration, description des spécifications techniques, et validité d'un permis de conduire biométrique ;

Après délibération du Conseil des Ministres ;

**ORDONNE :**

**CHAPITRE I^ER^. DES GENERALITES**

**Article 1er.**
La présente ordonnance fixe les modalités de rétention, de suspension et de retrait du permis de conduire.

**Article 2.**
Aux termes de la présente ordonnance, il faut entendre par :

1) *rétention du permis de conduire :* mesure consistant à retirer le droit de conduire à un conducteur en lui confisquant le permis de conduire pour une courte durée. Au terme de la période de rétention, le conducteur peut récupérer son permis de conduire ou être sanctionné par une suspension du permis.

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/26 ryo ku wa 23 Munyonyo 2012 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga uruja n'uruza mw'ibarabara ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa ;

Yihweje Itegeko inomero 100/037 ryo ku wa 19 Ndamukiza 2018 risubiramwo Itegeko inomero 100/29 ryo ku wa 18 Myandagaro 2015 risubiramwo Itegeko inomero 100/125 ryo ku wa 19 Ndamukiza 2012 riringaniza inzego za Reta y'Uburundi, ingene zikora n'imirimo yazo ;

Yihweje Itegeko nshikiranganji inomero 215/1256 ryo ku wa 29 Myandagaro 2015 rishiraho uruhusha rwo kugendesha umuduga rwo mu buhinga bwa none rikongera rigatomora ibiruranga n'ikiringo rumara ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino;

**ASHINZE :**

**IGICE CA MBERE. INGINGO NGENDERWAKO**

**Ingingo ya mbere.**
Iri tegeko nshikiranganji rishinga ibikurikizwa mu gufata, uguhagarika no mu kwaka uruhusha rwo kugendesha umuduga.

**Ingingo ya 2.**
Muri iri tegeko nshikiranganji aya majambo asigura :

1) *ugufata uruhusha rwo kugendesha umuduga* ni ingingo ifatwa yo kwaka nyene uruhusha uburenganzira bw'ukugendesha umuduga mu kumwaka urwo ruhusha mu kiringo gito. Ikiringo uruhusha rumara rwafashwe kirangiye, uwugendesha umuduga arashobora gusubizwa uruhusha rwiwe canke agafatirwa igihano c'ukuruhagarika ivy'agateganyo.

2) *suspension du permis de conduire* : mesure consistant à retirer le permis de conduire pour un délai ne dépassant pas quatre-vingt-dix jours (90) calendrier, soit d'une façon immédiate à la suite d'une infraction routière, une contravention ou un délit, relevé par les agents qualifiés, soit pour motif médical, ou soit à la suite d'une décision de justice. Durant le temps de la suspension, il est interdit de conduire un véhicule dont le permis est obligatoire.

Moyennant un procès-verbal de remise, le permis faisant objet de suspension doit être transmis endéans dix (10) jours au service en charge de la délivrance des permis de conduire, à défaut de quoi le permis peut être annulé. Au terme de la période de suspension, le permis de conduire est restitué à son titulaire moyennant un procès-verbal de remise.

3) *retrait temporaire du permis de conduire :* mesure se traduisant par l'invalidation, ou l'annulation du permis de conduire. Il peut intervenir en cas d'infraction grave relevée par les agents qualifiés ou en cas de perte de points.

Le titulaire du permis de conduire faisant l'objet de retrait temporaire doit présenter son permis de conduire endéans dix (10) jours et ne peut entamer la procédure en vue de l'obtention d'un nouveau permis de conduire qu'au bout d'une période d'une année. Les épreuves tant théoriques que pratiques doivent être reprises.

2) *uguhagarika ivy'agateganyo uruhusha rwo kugendesha umuduga* ni ingingo ifatwa yo kwaka uruhusha nyenerwo rugahagarikwa mu kiringo kitarenza imisi mirongo icenda ikurikirana (90), iyo ngingo igafatwa ubwo nyene bitumwe n'uko harenzwe amategeko agenga uruja n'uruza mu mabarabara, hakozwe icaha gitoyi canke kigereranye, cabonywe n'abakozi babifitiye ububasha, bitumwe n'imvo z'indwara, canke bitumwe n'ingingo y'ubutungane. Muri ico kiringo uruhusha ruba rwahagaritswe ivy'agateganyo, birabujijwe ko uwarwatswe agendesha icunguruza gitegerezwa kugendeshwa n'uwugifitiye uruhusha.

Uruhusha ruhagaritswe ivy'agateganyo rutegerezwa kurungikwa hatarenze imisi icumi (10) mu gisata kijejwe gutanga impusha z'ukugendesha imiduga ruri kumwe n'icegeranyo c'ukurushikiriza, bitagenze uko rugashobora guca rufutwa. Ikiringo uruhusha rumara rwahagaritswe ivy'agateganyo kirangiye, uruhusha rwo kugendesha umuduga rurasubizwa nyenerwo ari uko habanje kugirwa icegeranyo c'uko arusubijwe.

3) *ukwaka ivy'agateganyo uruhusha nyenerwo* ni ingingo ifatwa y'ukugira impfagusa uruhusha rwo kugendesha umuduga canke iy'ukurufuta. Ivyo bishobora gushika mu gihe hakozwe ikosa rihambaye ryabonywe n'abakozi babifitiye ububasha canke mu gihe nyene uruhusha yatakaje amanota.

Uwatswe ivy'agateganyo uruhusha ategerezwa kurushikiriza hatarenze iminsi icumi (10) kandi ashobora gutangura kurondera urundi ari uko harangiye ikiringo c'umwaka umwe. Ategerezwa gusubira gukora ibibazo vyaba ivy'ukwandika canke ivy'ukwishura ibibazo ku munwa hamwe n'ivy'ukugendesha umuduga.

4) *invalidation du permis de conduire :* perte totale du capital de points du permis de conduire. Le permis n'est alors plus valide et est automatiquement annulé. Le conducteur ne peut entamer les procédures en vue de l'obtention d'un nouveau permis qu'au bout d'une période de deux (2) ans.

5) *retrait définitif du permis de conduire :* mesure se traduisant par le retrait d'une façon définitive du droit de conduire pour cause de manquements graves répétitifs ou de perte définitive de certaines capacités de conduite automobile.

Le retrait définitif relève de la compétence des juridictions compétentes, après décision coulée en force de chose jugée.

4) *uruhusha rwo kugendesha umuduga rwagizwe impfagusa* ni uruhusha rwatakaje amanota yose. Urwo ruhusha ntiruba rucemewe kandi ruca rufutwa. Uwugendesha umuduga asubira kurondera urundi ruhusha rushasha ari uko ikiringo c'imyaka ibiri (2) kirangiye.

5) *ukwaka burundu uruhusha rwo kugendesha umuduga* ni ingingo y'ukwaka burundu nyene uruhusha uburenganzira bw'ukugendesha umuduga bitumwe n'uko yagiye arakora amakosa ahambaye canke bitumwe n'uko atagifise ubushobozi bukwiye bw'ukugendesha umuduga.

Sentare zibifitiye ububasha ni zo zifise uburenganzira bw'ukwaka burundu uruhusha rwo kugendesha umuduga, mu gihe ingingo imaze kuba ntabanduka.

**Article 3.**

Du fait du conducteur de l'engin automoteur, les sanctions de rétention, de suspension et de retrait du permis de conduire peuvent être prises par le Chef de service ayant la délivrance des permis de conduire dans ses attributions.

**Ingingo ya 3 .**

Bitumwe n'uwugendesha icunguruza gifise imoteri , ibihano vy'ugufata uruhusha rwo kugendesha umuduga, ivy'ukuruhagarika ivy'agateganyo n'ivy'ukurwaka nyenerwo birashobora gufatwa n'Umukuru w'igisata kijejwe gutanga impusha z'ukugendesha umuduga.

**Article 4.**

L'Officier de Police Judiciaire instrumentant ayant constaté l'infraction pouvant entrainer les sanctions prévues à l'article précédant doit transmettre un rapport y relatif au Chef de service ayant la délivrance des permis de conduire dans ses attributions pour décision.

**Ingingo ya 4.**

Inyamiramabi itegura urwandiko rw'imvaho imaze kubona ko hakozwe icaha gishobora guhanishwa ibihano bitegekanijwe mu ngingo ihejeje kuvugwa, itegerezwa kurungikira icegeranyo kivyerekeye Umukuru w'igisata gitanga impusha z'ukugendesha umuduga kugira na we afate ingingo.

**Article 5.**

Sur dénonciation du public ou de tout autre témoin, ces sanctions peuvent être prises au contrevenant après enquête.

**Ingingo ya 5.**

Arezwe n'abanyagihugu canke uwundi muntu wese yabibonye, uwakoze ikosa arashobora gufatirwa ibihano hamaze kuba itohoza.

**Article 6.**

Toute la durée de rétention, de suspension et de retrait du permis de conduire emporte déchéance du droit de conduire.

**Ingingo ya 6.**

Ikiringo cose uruhusha rumara rufashwe, ruhagaritswe ivy'agateganyo canke rwatswe nyenerwo ni co nyenerwo amara atagira uburenganzira bw'ukugendesha umuduga.

La décision de rétention, de suspension et de retrait du permis de conduire doit être notifiée au porteur, à l'employeur et à son assureur.

Ingingo y'ugufata uruhusha rwo kugendesha umuduga, iy'ukuruhagarika ivy'agateganyo n'iy'ukurwaka nyenerwo itegerezwa kumenyeshwa uwurufise, umukoresha wiwe n'ishirahamwe rimuteganiriza impanuka.

**Article 7.**

Endéans 72 heures, le titulaire du permis de conduire peut introduire un recours contre la sanction prise à son encontre auprès de l'autorité hiérarchiquement supérieure à celle ayant pris la mesure.

**Ingingo ya 7.**

Mu kiringo c'amasaha mirongo indwi n'abiri (72), nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga arashobora kwitwarira ingingo yafatiwe ku mutegetsi akurira uwayimufatiye.

## CHAPITRE 2. DE LA RETENTION DU PERMIS DE CONDUIRE

## IGICE CA 2. IVYEREKEYE IFATWA RY'URUHUSHA RWO KUGENDESHA UMUDUGA

**Article 8.**

Le permis de conduire peut être retenu pendant 72 heures au plus en cas de :

1) conduite en état d'ivresse ;
2) non respect de la priorité ;
3) refus d'obtempérer aux injonctions d'un agent qualifié ;
4) outrage envers un agent qualifié ;
5) mauvais stationnement ;
6) Non respect de la signalisation routière ou des panneaux de signalisation installés ou placés sur la voie publique.

Le permis peut être retenu jusqu'à 30 jours au plus en cas de :

1) conduite en état d'ivresse ayant entraîné la commission d'autres infractions ;
2) accident ayant occasionné la mort d'une personne suite à l'ivresse.

**Ingingo ya 8.**

Uruhusha rwo kugendesha umuduga rushobora kumara ikiringo kitarenga amasaha mirongo indwi n'abiri (72) rufashwe mu gihe nyene uruhusha :

1) agendesheje umuduga aborewe ;
2) yanse guha inzira uwufise uburenganzira bw'ukubanza kurengana ;
3) yanse gukurikiza ivyo ategetswe n'umukozi ajejwe uruja n'uruza mw'ibarabara ;
4) atutse umukozi ajejwe uruja n'uruza mw'ibarabara ;
5) ahagaritse nabi umuduga umwanya muremure ;
6) atubahirije ibimenyetso vy'ibarabara canke ivyapa bishinze canke biri mw'ibarabara.

Ikiringo uruhusha rwo kugendesha umuduga rushobora kumara rufashwe ni ic'imisi mirongo itatu itarenga (30) mu gihe :

1) nyenerwo yagendesheje umuduga aborewe bigatuma akora ayandi makosa ;
2) nyenerwo yagize isanganya umuntu agapfa bitumwe n'akaborerwe.

**Article 9.**
Toute rétention du permis de conduire est subordonnée à l'établissement d'un procès-verbal de rétention. L'original est réservé au titulaire du permis de conduire et sera détruit à sa remise.

La remise du permis de conduire est subordonnée au paiement des amendes relatives à la contravention conformément à la loi portant code de la circulation routière.

**Ingingo ya 9.**
Igihe cose hafashwe uruhusha rwo kugendesha umuduga haragirwa icegeranyo cerekana ko rufashwe. Icegeranyo c'imvaho gihabwa nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga kigataburwa ari uko asubijwe uruhusha.

Uruhusha rwo kugendesha umuduga rusubizwa ari uko harishwe amahadabu ajanye n'icaha cakozwe hakurikijwe ibwirizwa rigenga uruja n'uruza mw'ibarabara.

## CHAPITRE 3. DE LA SUSPENSION DU PERMIS DE CONDUIRE

## IGICE CA 3. IVYEREKEYE UGUHAGARIKA IVY'AGATEGANYO URUHUSHA RWO KUGENDESHA UMUDUGA

**Article 10.**
Le permis de conduire peut être suspendu dans les cas suivants :

1) récidive aux infractions au code de la route imputables au conducteur;
2) franchissement d'une ligne continue ;
3) circulation en sens unique ;
4) usage du téléphone au volant ;
5) dépassement dangereux ;
6) non-respect de l'arrêt au feu rouge ou au stop ;
7) excès de chargement pouvant causer des dommages aux autres usagers de la voie publique ;
8) non port de la ceinture de sécurité par le conducteur et/ou ses passagers ;
9) refus de présenter son permis de conduire ;

**Ingingo ya 10.**
Uruhusha rwo kugendesha umuduga rushobora guhagarikwa ivy'agateganyo mu gihe uwugendesha umuduga :

1) asubiriye gukora ivyaha bitegekanijwe mw'ibwirizwa rigenga uruja n'uruza mw'ibarabara vyamuvuyeko ;
2) arenze umurongo udacagaguye;
3) awucishije mw'ibarabara ivyunguruza bicamwo bija inzira imwe ;
4) akoresheje iterefone ariko aratwara umuduga ;
5) arenganye uwundi bigashobora gutera impanuka ;
6) adahagaze hatse amatara atukura y'uguhagara canke ashitse ahari icapa c'uguhagarara ;
7) apakiye nabi bigashobora gutera ingorane abandi baca mw'ibarabara ;
8) atambaye umusipi wo gukinga impanuka canke abo yunguruje batawambaye ;
9) yanse kwerekana uruhusha rwo kugendesha umuduga ;

10) conduite pendant la période de rétention du permis de conduire ;

11) récidive aux infractions faisant objet du chapitre précédent.

**Article 11.**

La suspension du permis de conduire ne peut excéder quatre-vingt dix (90) jours calendrier à partir de la date de suspension.

## CHAPITRE 4. DU RETRAIT TEMPORAIRE DU PERMIS DE CONDUIRE

**Article 12.**

Le permis de conduire est temporairement retiré en cas de :

1) blessure involontaire grave provoquant l'invalidité de la victime lorsqu'il s'avère que l'accident résulte d'un manquement grave de la part du conducteur ;
2) conduite sous l'emprise de la drogue ;
3) délit de fuite ;
4) obstruction de la voie publique ;
5) chargement de plus d'une personne sur une moto, exception faite à la femme portant un enfant de moins de trois ans sur le dos ;
6) surnombre de personnes ;
7) excès de vitesse ;
8) non port du casque de sécurité par le conducteur et/ou par le passager d'une moto ;
9) conduite dangereuse sur la voie publique ;

10) awugendesheje mu kiringo uruhusha rwo kugendesha umuduga rwafashwe ;

11) asubiriye gukora ivyaha bitegekanijwe mu gice ca kabiri.

**Ingingo ya 11.**

Uruhusha rwo kugendesha umuduga ntirushobora guhagarikwa ivy'agateganyo mu kiringo kirenza imisi mirongo icenda ikurikirana (90) iharurwa kuva kw'igenekerezo uruhusha rwahagarikiweko.

## IGICE CA 4. IVYEREKEYE UKWAKA IVY'AGATEGANYO URUHUSHA RWO KUGENDESHA UMUDUGA

**Ingingo ya 12.**

Uruhusha rwo kugendesha umuduga rwakwa nyenerwo ivy'agateganyo mu gihe :

1) akomerekeje cane umuntu kubera gusamara bigatuma uwakomeretse amugara, mu gihe bigaragara ko impanuka yavuye ku makosa arenze y'uwugendesha umuduga ;
2) agendesheje umuduga yafashe ibiyayuramutwe ;
3) akoze icaha c'ugutoroka ;
4) abereye intambamyi uruja n'uruza mw'ibarabara ;
5) uwutwara ipikipiki ahetse abantu barenga umwe, kiretse iyo ari umugore ahetse umwana atarakwiza imyaka itatu ;
6) yunguruje abantu barenze igitigiri arekuriwe ;
7) yarengeje umuvuduko ;
8) uwutwaye ipikipiki n'uwo ahetse canke umwe muri bo batambaye inkofero y'ukwikingira ;
9) atwaye nabi umuduga bigashobora gutera isanganya ;

10) perte totale du capital de points du permis de conduire ;

11) conduite pendant la période de suspension du permis de conduire ;

12) récidive aux infractions faisant objet du chapitre précédent.

**Article 13.**

Le titulaire a le droit de repasser les tests théoriques et pratiques en vue de l'obtention d'un nouveau permis de conduire.

Il ne peut prétendre à repasser les tests avant une période d'une année.

**CHAPITRE 5. DU RETRAIT DEFINITIF DU PERMIS DE CONDUIRE**

**Article 14.**

Le permis de conduire est définitivement retiré dans les circonstances suivantes :

1) homicide volontaire ou tentative d'homicide volontaire ;

2) homicide involontaire avec circonstances aggravantes ;

3) perte définitive de certaines capacités de conduite automobile ;

4) conduite pendant la période de retrait temporaire ;

5) récidive aux infractions prévues dans le chapitre précédent.

10) uruhusha rwo kugendesha umuduga rutakaje amanota yose ;

11) atwaye umuduga mu kiringo uruhusha rwahagaritswe ivy'agateganyo ;

12) asubiriye gukora ivyaha bitegekanijwe mu gice ca gatatu.

**Ingingo ya 13.**

Nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga arafise uburenganzira bwo gusubira gukora ibibazo vyaba Ivy'ukwandika canke ivy'ukwishura ibibazo ku munwa hamwe n'ivy'ukugendesha umuduga kugira ashobore kuronka urundi ruhusha.

Ashobora gusubira gukora ibibazo ari uko ikiringo c'umwaka kirangiye.

**IGICE CA 5. IVYEREKEYE UKWAKA URUHUSHA NYENERWO UBUTAKIRUSUBIZWA**

**Ingingo ya 14.**

Uruhusha rwo kugendesha umuduga rwakwa nyenerwo ubutakirusubizwa mu bihe bikurikira :

1) yishe canke agerageje kwica umuntu n'impaka ;

2) yishe umuntu kubera gusamara harimwo n'inyongerezakibi ;

3) atagifise ubushobozi bukwiye bw'ukugendesha umuduga ;

4) atwaye umuduga yaratswe uruhusha ivy'agateganyo ;

5) asubiriye gukora ivyaha bitegekanijwe mu gice ca kane.

La mesure de retirer définitivement un permis de conduire est soumise aux juridictions compétentes par le responsable du service en charge de la délivrance des permis de conduire, après un procès coulé en force de chose jugée. La personne déchue de ce droit de conduire ne peut plus prétendre à l'obtention d'un nouveau permis de conduire.

Ingingo yo kwaka uruhusha rwo kugendesha umuduga ubutakirusubizwa ishikirizwa sentare zibifitiye ububasha n'umukuru w'igisata kijejwe gutanga impusha z'ukugendesha umuduga, urubanza rumaze kuba ntabanduka. Uwatswe ubwo burenganzira bwo kugendesha umuduga ntashobora gusubira kuronswa urundi ruhusha.

Pendant la période de la procédure judiciaire, le permis faisant objet de retrait définitif est assimilé au permis temporairement suspendu.

Mu gihe urubanza rukibandanya muri sentare, uruhusha rwatswe ubutakirusubizwa rufatwa ko rwahagaritswe ivy'agateganyo.

## CHAPITRE 6. DE L'ATTRIBUTION ET DE LA GESTION DES POINTS DES LA DELIVRANCE DU PERMIS DE CONDUIRE

## IGICE CA 6. IVYEREKEYE ITANGWA N'ITUNGANYWA RY'AMANOTA KUVA URUHUSHA RWO KUGENDESHA UMUDUGA RUTANZWE

**Article 15.**
Le capital maximum de points dont peut disposer un conducteur sur son permis de conduire est de 100 points.

**Ingingo ya 15.**
Amanota ntarengwa uwugendesha umuduga ahabwa ku ruhusha ni amanota 100.

**Article 16.**
Dès la délivrance du permis de conduire, tout nouveau conducteur a automatiquement le maximum de points. Il perdra ces points progressivement, en fonction de la gravité de l'infraction au code de la circulation routière commise.

**Ingingo ya 16.**
Kuva hatanzwe uruhusha rwo kugendesha umuduga, uwugitangura kugendesha umuduga wese aba afise amanota yose. Agenda arayatakaza, hafatiwe ku buremere bw'icaha yakoze gitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko yerekeye uruja n'uruza mw'ibarabara.

**Article 17.**
Le titulaire d'un permis de conduire perd 5 points en cas de :

1) violation des dispositions relatives à l'attitude du conducteur à l'égard des animaux,
2) gêne à la circulation,
3) stationnement sur les trottoirs, refuges, accotements en saillie ou pistes cyclables,

**Ingingo ya 17.**
Nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga atakaza amanota atanu mu gihe :

1) arenze ku ngingo zijanye n'inyifato y'uwugendesha umuduga ahari ibikoko,
2) abaye intambamyi y'uruja n'uruza mw'ibarabara,
3) ahagaritse umuduga umwanya muremure aho abagenda n'amaguru baca, aho bazibukirira uruja n'uruza, ku nkengera z'ibarabara zikirurutse canke ahaca amakinga,

4) conduite sur la chaussée à une vitesse anormalement réduite,

5) non utilisation des feux de signalisation à bon escient,

6) utilisation fautive ou abusive des avertisseurs sonores,

7) conduite en état d'ivresse ;

8) non respect de la priorité ;

9) mauvais stationnement ;

10) non respect de la signalisation routière ou des panneaux de signalisation installés ou placés sur la voie publique ;

11) franchissement d'une ligne continue.

4) agendesheje umuduga mw'ibarabara yikwega cane rwose,

5) adakoresheje n'ibigirankana amatara y'ukubisikanya,

6) akoresheje ibiburisha amajwi bitarekuwe canke akarenza urugero mu kubivuza,

7) agendesheje umuduga aborewe ;

8) yanse guha inzira uwufise uburenganzira bw'ukubanza kurengana ;

9) ahagaritse nabi umuduga umwanya muremure ;

10) atubahirije ibimenyetso vy'ibarabara canke ivyapa bishinze canke biri mw'ibarabara ;

11) arenze umurongo udacagaguye.

**Article 18.**

Le titulaire d'un permis de conduire perd 10 points en cas de :

1) circulation en sens unique ;

2) usage du téléphone au volant ;

3) non port de la ceinture de sécurité par le conducteur et/ou ses passagers ;

4) refus de présenter son permis de conduire ;

5) excès de vitesse,

6) non port du casque de sécurité par le conducteur et/ou par le passager d'une moto ;

7) dégradation de la voie publique ou de ses équipements d'une manière délibérée ou par négligence,

**Ingingo ya 18.**

Nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga atakaza amanota icumi mu gihe :

1) awucishije mw'ibarabara ivyunguruza bicamwo bija inzira imwe ;

2) akoresheje iterefone ariko aratwara umuduga ;

3) atambaye umusipi wo gukinga impanuka canke abo yunguruje batawambaye ;

4) yanse kwerekana uruhusha rwo kugendesha umuduga ;

5) yarengeje umuvuduko ;

6) uwutwaye ipikipiki n'uwo ahetse canke umwe muri bo batambaye inkofero y'ukwikingira ;

7) yononye ibarabara canke ivyubatswe kuri ryo n'impaka canke kubera urwangara ;

8) refus de priorité,

9) obstruction de la voie publique ;

10) surnombre de personnes,

11) chargement de plus d'une personne sur une moto, exception faite à la femme portant un enfant sur le dos ;

12) dépassement dangereux ;

13) conduite d'un véhicule automoteur sans être en possession de son permis,

14) outrage envers un agent qualifié ;

15) conduite pendant la période de rétention du permis de conduire.

**Article 19.**
Le titulaire d'un permis de conduire perd 15 points en cas de :

1) blessure involontaire grave provoquant l'invalidité de la victime lorsqu'il s'avère que l'accident résulte d'un manquement grave de la part du conducteur ;

2) délit de fuite ;

3) récidive ;

4) conduite dangereuse sur la voie publique ;

5) refus d'obtempérer aux injonctions d'un agent qualifié ;

6) excès de chargement pouvant causer des dommages aux autres usagers de la voie publique ;

7) conduite avec un degré d'alcool dans le sang supérieur au seuil légal ;

8) yanse guha inzira uwufise uburenganzira bw'ukubanza kurengana ;

9) abangamiye uruja n'uruza mw'ibarabara ;

10) yunguruje abantu barenze igitigiri arekuriwe ;

11) uwutwara ipikipiki ahetse abantu barenga umwe, kiretse iyo ari umugore ahetse umwana ;

12) arenganye uwundi bigashobora gutera impanuka;

13) atwaye icunguruza gifise imoteri atibangikanije uruhusha rwo kugendesha umuduga ;

14) atutse umukozi ajejwe uruja n'uruza mw'ibarabara;

15) atwaye umuduga mu kiringo uruhusha rwo kugendesha umuduga rwafashwe.

**Ingingo ya 19.**
Nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga atakaza amanota icumi n'atanu (15) mu gihe :

1) akomerekeje cane umuntu kubera gusamara bigatuma uwakomeretse amugara, mu gihe bigaragara ko impanuka yavuye ku makosa arenze y'uwugendesha umuduga ;

2) akoze icaha c'ugutoroka ;

3) asubiriye gukora icaha ;

4) atwaye nabi umuduga bigashobora gutera isanganya ;

5) yanse gukurikiza ivyo ategetswe n'umukozi ajejwe uruja n'uruza mw'ibarabara ;

6) apakiye nabi bigashobora gutera ingorane abandi baca mw'ibarabara ;

7) atwaye umuduga afise urugero rwa arukoro mu maraso rurengeye urwemewe ;

8) conduite pendant la période de suspension du permis de conduire.

8) atwaye umuduga mu kiringo uruhusha rwahagaritswe ivy'agateganyo.

**Article 20.**
Le titulaire d'un permis de conduire perd 20 points en cas de :

1) conduite sous l'emprise de la drogue ;
2) conduite en état d'ivresse ayant entraîné la commission d'autres infractions ;
3) arrêt ou stationnement au milieu de la chaussée,
4) non-respect de l'arrêt au feu rouge ou au stop ;
5) luttes de vitesse ou jeux sur la chaussée de nature à gêner ou rendre la circulation dangereuse,
6) conduite pendant la période de retrait temporaire du permis de conduire.

**Ingingo ya 20.**
Nyene uruhusha rwo kugendesha umuduga atakaza amanota mirongo ibiri mu gihe :

1) agendesheje umuduga yafashe ibiyayuramutwe ;
2) agendesheje umuduga aborewe bigatuma akora ibindi vyaha ;
3) ahagaze umwanya muto canke muremure hagati mw'ibarabara ;
4) adahagaze hatse amatara atukura y'uguhagara canke ashitse ahari icapa c'uguhagarara ;
5) ugusiganwa mu vyunguruza canke ukugira inkino mw'ibarabara ku buryo bibangamira uruja n'uruza mw'ibarabara canke bigatera isanganya ;
6) atwaye umuduga yaratswe uruhusha ivy'agateganyo ;

**Article 21.**
En cas de cumul d'infractions, le nombre maximum à retirer est de 40 points.

**Ingingo ya 21.**
Mu gihe habaye urusukirane rw'ivyaha, igitigiri ntarengwa c'amanota ashobora gukurwa ni 40.

**Article 22.**
Un permis de conduire qui perd la totalité de son capital de points est automatiquement invalidé et est assimilé au permis provisoirement retiré.

**Ingingo ya 22.**
Uruhusha rwo kugendesha umuduga rutakaje amanota yose ruca ruba impfagusa kandi rugafatwa nk'urwabaye rurahagarikwa ivy'imfatakibanza.

**Article 23.**
L'invalidation pour la deuxième fois d'un permis de conduire est sanctionnée par son retrait définitif.

**Ingingo ya 23.**
Uruhusha rwo kugendesha umuduga rugizwe impfagusa ubugira kabiri nyenerwo ntaba agisubira kuronka urundi.

Chapitre 7. Des dispositions finales

Igice ca 7. Ingingo zisozera

**Article 24.**
Toutes dispositions antérieures et contraires à la présente ordonnance sont abrogées.

**Ingingo ya 24.**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri tegeko nshikiranganji zirafuswe.

**Article 25.**
L'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi est chargé de la mise en application de la présente ordonnance qui entre en vigueur trois mois après sa signature.

**Ingingo ya 25.**
Umugenduzi Mukuru w'Igiporisi c'Uburundi ni we ashinzwe ishirwa mu ngiro ry'iri tegeko nshikiranganji rizotangura gukurikizwa haciye amezi atatu rishizweko umukono.

Fait à Bujumbura le 12./11./2018

Bigiriwe i Bujumbura ku wa 12./.11/2018

**LE MINISTRE DE LA SECURITE PUBLIQUE ET DE LA GESTION DES CATASTROPHES,**

**Alain Guillaume BUNYONI**
**Commissaire de Police Chef.**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UMUTEKANO MU GIHUGU, UGUKINGA N'UGUTABARA MU GIHE C'IBIZA N'ISIBE**

**BUNYONI Alain Guillaume**
**Commissaire de Police Chef.**